REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°14 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 03 MYANDAGARO 2022

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 03 Myandagaro 2022, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 27 Mukakaro 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Icegeranyo cerekana ibitigiri vy'abakukuruke b'imbere y'umwaka w'2020, uburyo bisaba amashirahamwe INSS na ONPR be n'ico Reta yotanga, iyo pensiyo yongeweko ibice mirongo itatu kw'ijana(30%) nk'uko vyaharuwe, ku kiringo c'imyaka cumi ni ukuvuga kuva mu mwaka 2020 gushika mu 2030,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

Mu gihe inama nshikiranganji yariko yihweza Urwandiko rujanye n'ivyosubirwamwo mu gisata co gukinga no gutegekaniriza kazoza abakozi ku bijanye na pansiyo, mu vyashikirijwe harimwo ko :

- Ubushikiranganji bujejwe abakozi ba Reta bwoshikiriza ibitigiri vy'abazokukuruka muri iyi myaka cumi igiye kuza kugirango bikorerweko mu guharura uburyo buzokenerwa;
- Ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta bwoharura bukaraba ko abakukurutse imbere y'umwaka w'2020 bokwongerwa 30%, 40% canke 50%,ariko ntihagire umukuruke aronka amahera ari munsi y'ibihumbi mirongo itatu (30.000) ;

- Kwerekana ico amashirahamwe INSS na ONPR yotanga n'ico Reta yotanga mw'ishirwa mu ngiro ry'uwu mugambi haharuwemwo n'abakukurutse imbere y'umwaka w'2020;
- Kwiga ingene hoshingwa ikigega kizoshigikira uwu mugambi kugirango urame;

Twokwibutsa ko mu mwanya wa mbere uwo mugambi uraba abakozi ba Reta gusa.

Inama nshikiranganji yihweje inyishu zatanzwe kuri ivyo yari yashikirije, ikanazihanahanako ivyiyumviro **yarabishimye**, ica yongera ishikiriza ibi bikurikira :

- Abakukuruke bazoca batangura kuronka pansiyo yabo yisununuye k'umwaka wa 2020 ushira uw'2021;
- Amashirahamwe INNS na ONPR ni afate n'imiburiburi ibice mirongo itatu kw'ijana (30%) vy'amahera abitswe mu banki kugirango akoreshwe muri uyu mugambi kuko ni amahera y'abanywanyi b'ayo mashirahamwe, hanyuma Reta izowuherekeza mu gushinga ico kigega kizoshigikira uwu mugambi kugirango urame**;**
- Ubugenduzi bukuru bwa Reta busabwe gusuzuma ko amatungo y'ishirahamwe INSS akoreshwa neza kandi ko uburyo ategerezwa kwinjiza bwose buja mu kigega ca INSS;
- Ubushikiranganji bubijejwe bwose bwokorana n'igisata ISTEEBU bugasubiramwo ibiharuro kugirango ku mwaka ku mwaka haboneke abakukuruka n'abava ku rutonde.
- Ubushikiranganji bujejwe imibano bwosubiramwo ibiharuro bukerekana intererano y'abanywanyi ku kwezi ku kwezi be n'ayasohoka nka pansiyo ihabwa abakukuruke;
- Abakozi bakuru Reta yajeje amabanga ya poritike n'abo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi ntiboharurwa nk'umurwi uri ukwawo kuko baba bafise amategeko abagenga haba aho bari canke aho bavuye.

2. **Integuro y'ibwirizwa rihindura ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 27 nzero 2010 riringaniza ukundi ibisata vy'ugutegekaniriza amapansiyo abakozi ba Reta, abacamanza n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza bakukuruka hamwe n'ukubateganiriza impanuka zituruka ku kazi,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira

Reta y'Uburundi yaratanguye isekeza ry'uguhindura ibijanye n'ugutegekaniriza kazoza abenegihugu mu ntumbero yo gutuma babaho neza kuruta. Hariko

hahindurwa ivyerekeye amategeko mu gushiraho amabwirizwa, nk’Igitabu c’amategeko agenga ugukingira n’ugutegekaniriza kazoza abenegihugu mu Burundi n’Igitabu c’amategeko agenga akazi.

Mu bihinduka, ikizogirira akamaro cane abakozi ba Reta, mbere n’ababo bagashikirwa, ni ibwirizwa inomero1/09 ryo ku wa 14 Ntwarante 2022 rihindura ingingo zimwe zimwe z’Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 rishinga Igitabu c’amategeko agenga ugukingira n’ugutegekaniriza kazoza abanyagihugu mu Burundi
Nkako, iryo bwirizwa rije kumara agahinda uwo mugwi w’abantu bimirije canke bageze gukukuruka mu kubemerera kuzobandanya baronswa umushahara wabo wose wo ku kwezi baherukiyeko gufata.

Aho iryo bwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 14 Ntwarante 2022 rigiriyeho, Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 27 Nzero 2010 riringaniza ukundi ibisata vy’ugutegekaniriza amapansiyo abakozi ba Reta, abacamanza n’abakozi bo mu rwego rw’ubutungane atari abacamanza bakukuruka hamwe n’ukubateganiriza impanuka zituruka ku kazi ntiryari rikiroranye na ryo, hamwe n’Igitabu c’amategeko agenga ugukingira n’ugutegekaniriza kazoza abenegihugu mu Burundi.

Birakwiye rero ko hasubirwamwo Ibwirizwa rigenga ibisata vy’ugutegekaniriza amapansiyo abakozi ba Reta, abacamanza n’abakozi bo mu rwego rw’ubutungane atari abacamanza bakukuruka hamwe n’ukubateganiriza impanuka zituruka ku kazi, kugira riroranishwe n’amategeko ariko arahindurwa.

Tugereranije n’Ibwirizwa ryo mu 2010, muri iyi nteguro y’Ibwirizwa harashizwemwo ibishasha harimwo nk’ibi bikurikira:

- Igice gitangwa n’uwategekanirijwe hamwe n’igitangwa na Reta nk’umukoresha vyahora biharurwa mu manota, ubu bigiye guharurwa mu bice kw’ijana;
- Iyi nteguro y’ibwirizwa irategekanya ko umukozi yafashwe n’ubumuga bw’umubiri canke bwo mu mutwe ashobora gusaba kuronswa ipansiyo itangwa imyaka itegekanijwe itaragera, hagisigaye imyaka icumi kugira akukuruke, mu gihe ibwirizwa ryahahora ryategekanya ko iyo pansiyo isabwa hasigaye imyaka itanu kugirango akukuruke.
- Gusaba gukukuruka umukozi avyisabiye, hagisigaye imyaka itanu kugira akukuruke ntibigishoka vyemerwa. Ubu umukoresha azobanza kwihweza ko bikenewe canke bidakenewe ko ako karuhuko gatangwa; ku neza y’akazi.

- Amafaranga ya pansiyo yo ku kwezi ku kwezi azoharurwa ku buryo angana n'umushahara aherukiyeko gufata ku kwezi gukurikirana n'ukwo yakukurukiyemwo;
- Umukozi yivurije hanze y'igihugu azorihirwa, bishitse agapfirayo naho ikiziga ciwe gitahukanwa n'ishirahamwe aziganiriza mwo.
- Iyi nteguro irategekanya ibihano bihabwa umukoresha iyo urwandiko rw'ukumenyesha isanganya rutakiriwe n'Ishirahamwe ku mvo z'uko yacerewe kubimenyesha, kubera ikosa ryiwe canke yabifashe minenerwe.

Inama nshikiranganji iamze guca hirya no hino iyo nteguro **yarayemeje.**

3. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n$^{o}$ 100/52 ryo ku wa 31 Ntwarante 2010 rishinga rikongera rigatunganya igisata kijejwe gutegekaniriza amapansiyo abakozi ba Reta, abacamanza n'abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza hamwe n'ukubateganiriza impanuka zituruka ku kazi,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira

Iri tegeko risubiwemwo kugirango hajemwo bishasha, bimwe bimwe navyo bikaba ari ibi bukirikira :
- Kwongera mu bategekanirizwa umurwi w'abakozi bakuru Reta yajeje ivyerekeye poritike n'abo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi n'abakozi b'ishirahamwe ONPR ;
- Kugirango akazi kagende neza mw'ishirahamwe ONPR, hazojaho ubuyobozi bujejwe ivyigwa no gutugekanya;
- Ikiringo co gukora intonde z'abageze gukukuruka n'umushahara bagezeko kigatomorwa ;
- Mu murwi witurwa imbere y'uko amatati ashikira Sentare harajamwo uwuserukira abakukurutse;
- Iyi nteguro iravuga ingene umurwi witurwa imbere y'uko amatati ashikira Sentare, ugenwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, mu vyo yayunganiyemwo hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Amategeko ahari ntiyemerera abakozi ba ONPR ko bategekanirizwa muri iryo shirahamwe
- Gukura muri iyi ntenguro umurwi w'abakozi bakuru Reta yajeje ivyerekeye poritike n'abo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi kuko barafise ayandi mategeko abagenga;
- Ingingo z'inama nshingwantwaro zorungikirwa umushikiranganji akaba

ari we azishikiriza igisata kijejwe gukurikirana ivyo gukingira no gutegekaniriza kazoza abenegihugu kugirango kigire ico kizivuzeko;

- Gusubirammwo ingene urwego nshingwantwaro rwubatse:
  - o Mugushiramwo babiri baserukira abakukuruke
  - o Gukuramwo uwuserukira abakozi bakuru Reta yajeje ivyerekeye poritike n'abo yajeje ayandi mabanga mu kiringo kizwi ;
  - o Uwuserukira Sendika yosubirirwa n'uwuserukira ubushikiranganji bw'indero.

4. **Integuro y'itegeko ritomora ishirwa mu ngiro ry'ibwirzwa n° 1/09 ryo ku wa 14 Ntwarante 2022 rihindura ingingo zimwe zimwe z'ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abenegihugu**, yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira.

Ibwirizwa inomero1/09 ryo ku wa 14 Ntwarante 2022 rihindura ingingo zimwe zimwe z'Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abenegihugu ryashizweho mu ntumbero yo kuduza pansiyo ironswa abakozi ba Reta. Intumbero ni uko uwukukurutse yoronswa pansiyo ingana n'umushahara yari agezeko, kandi ntihagire uwuronka pansiyo iri munsi y'ibihumbi mirongo itatu(30 000).

Ni mu ntumbero y'uko ivyo vyoja mu ngiro iyi nteguro ishikirijwe.

Iyo nteguro iravuga urugero iyo pansiyo izoduzwako, ingene bizokorwa, n'urugero itarenza.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Gusubiramwo kwandika neza ingingo ya mbere igatomora ko umukuruke azoronswa pansiyo ingana n'umushahara yari agezeko ;
- Kwerekana neza imirwi iri tegeko ryarekeye;
- Gushiramwo ingingo itomora ko uwo mugambi uzorangurwa n'amashirahamwe INSS na ONPR, Reta nayo ikazoshinga ikigega kizowushigikira kugirango urame.

5. **Integuro y'itegeko nshikiranganji riduza amahera ya pansiyo aronswa abakozi ba Reta bakukurutse imbere y'igenekerezo rya 01 Nzero 2020,** yashikirijwe n'umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira

Iyi nteguro ije gushira mu ngiro ibitegekanijwe n'ibwirizwa inomero1/09 ryo ku wa 14 Ntwarante 2022 rihindura ingingo zimwezimwe z'Ibwirizwa inomero 1/12 ryo ku wa 12 Rusama 2020 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ugukingira n'ugutegekaniriza kazoza abenegihugu mu Burundi .

Iratomora ko pansiyo yo ku kwezi ku mukukuruke yakwije imyaka, canke yakukurutse kubera ubumuga canke kuko avyisabiye ku bakozi ba Reta, abacamanza**,** abakozi bo mu rwego rw'ubutungane atari abacamanza, abasirikare n'abapolisi bakukurutse imbere y'igenekerezo rya 01 Nzero 2020 yongewe ibice mirongo itatu kw'ijana (30%).

Iravuga kandi ko iyo pansiyo idashobora kuja munsi y'amahera ibihumbi mirongo itatu (30 000 FBu).

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje,** kimwe mu vyo yasavye ni uko hojamwo ingingo itomora ko uwo mugambi uzorangurwa n'amashirahamwe INSS na ONPR, Reta nayo ikazoshiraho ikigega kizowushigikira kugirango urame.

6. **Amasezerano y'umwumvikano yerekeye iyubakwa rw'uruganda rwo guhingura imicafu aha mu gisagara ca Bujumbura,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Mu gihe ibisagara bibandanya vyaguka abantu nabo bakaguma bagwirirana cane cane mu gisagara ca Bujumbura, imicafu nayo iguma yiyongera. Nico gituma ari nkenerwa ko ico kibazo gitorerwa umuti kugirango abantu babeho neza n'ibidukikije bikingirwe.

Naho Reta imaze kugira utwigoro tutari duke nko mu kwemeza umugambi w'igihugu ujanye n'isuku no mugushiraho ibisata bijejwe isuku mu gisagara ca Bujumbura, isuku riguma ari ikibazo, cane cane ku bijanye n'imicafu igumye.

Iruhande y'ingaruka ku magara y'abantu no ku bidukikije, isuku rike ni intambamyi ku bipfuza kuzana imitahe mu gihugu be n'ingenzi ziza ngaha mu Burundi.

Mu ntumbero yo gutorera umuti ico kibazo, Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije buragerageraza kurondera uburyo, haba muri Reta canke mu bikorera ivyabo. Nico gituma hari ishirahamwe ryo mu gihugu c'Ubuhindi ryitwa Frontier Holdings Limited ryipfuje gushinga uruganda rwohingura imicafu cane cane irya igumye ngaha mu Burundi.

Ayo masezerano y'umwumvikano nico gituma yashikirijwe.

Ihangiro ryayo ni uguhingura imicafu igumye aha mu gisagara ca Bujumbura ikavamwo ifumbure n'ibindi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze uwo mugambi ari mwiza ariko ko iyo nteguro y'amasezerano idakenewe. Ikete ry'umushikiranganji w'ibidukikije rivuga ibiri muri ayo masezerano rirakwiye.

Iryo shirahamwe ryomenyeshwa rero ko umugambi ari mwiza, rikongera rikamenyeshwa ingene ibidukikije vyokingirwa mw'irangurwa ryawo. Kugirango biboneke ko iryo shirahamwe rifise ishaka ryo kurangura uwo mugambi, ryosabwa kuzana ingwati rikayishira mw'Ibanki Nkuru y'Igihugu.

Ku bijanye no kwugurura iryo hinguriro, iryo shirahamwe ryokwitura Ubushikiranganji busanzwe bujejwe amahinguriro bukaritunganiriza.

7. **Urwandiko rwerekana ibirarane vy'amahera Uburundi bufise mu mashirahamwe mpuzamakungu,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere

Uru rwandiko rurerekana ibirarane Reta y'Uburundi ifise ku ntererano itanga mu mashirahamwe mpuzamakungu, rukongera rukerekana n'icokorwa mu ntumbero yo gutorera inyishu ico kibazo.

Ibirarane Reta y'Uburundi ifise bigera kuri miliyaridi ijana na mirongo ine n'indwi miliyoni amajana indwi na mirongo indwi na zibiri ibihumbi amajana umunani na mirongo ibiri na bine n'amajana atatu na mirongo umunani n'abiri (147 772 824 382 Fbu**).**

Ivyo navyo biva ku kwinjira mu mashirahamwe mpuzamakungu menshi, hatarinze kwihwezwa inyungu igihugu kizokuramwo kandi uburyo igihugu gifise budakwiye kugira kirihe intererano muri ayo mashirahamwe yose.

Uru rwandiko rurashikiriza bimwe bimwe vyokorwa nk'umuti w'ico kibazo navyo ni nk'ibi bikurikira:

- Gutora amashirahamwe mpuzamakungu Uburundi bwogumamwo bufatiye ku nyungu bubonamwo, n'ubushobozi igihugu gifise bwo gutanga intererano ;
- Gufatira ku buryo butegekanijwe hagaheza hakihwezwa amashirahamwe yoza imbere y'ayandi mu kuriha ibirarane;
- Ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta nabwo nyene bwoja mu biganiro n'ayo mashirahamwe vyo kuraba ingene ibirarane vyorihwa buke buke;
- Mu kwiyemeza kwinjira mw'ishirahamwe mpuzamakungu canke ryo mu karere, hobanza kwihwezwa ico bizosaba nk'intererano ku gihugu.

Inama nshikiranganji ihejeje guca hirya no hino uwo rwandiko, yashikirije ibi bikurikira :

- Ubushikiranganji butandukanye n'ibisata vyegamiye Reta vyogira intonde z'amashirahamwe yose Reta y'Uburundi irimwo n'intunganyo y'ingene ibirarane vyorihwa buke buke;
- Ubushikiranganji bujejwe imigenderanire bwogarukana mu nama nshikiranganji igikorwa bwatumwe co kwerekana urutonde rw'amashirahamwe afitiye akamaro Uburundi bwogumamwo n'ayo bidakenewe ko bugumamwo.

8. **Urwandiko rujanye n'ibibazo biri mu bidandazwa bimwe bimwe nk'ibinyobwa vya Brarudi, isima ya BUCECO, n'isukari ya SOSUMO,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi

Uru rwandiko rushikirijwe mu gihe ayo mashirahamwe BRARUDI, BUCECO, na SOSUMO yipfuje kenshi kuduza ibiciro, mu gihe kandi ivyo bidandazwa bihingurwa n'ayo mashirahamwe biguma bikena kw'isoko, kandi n'abadandaza bakikika mu kiza bakidugiriza ibiciro uko bashatse.

Ivyo biri uko mu gihe ubushikiranganji bw'ubudandaji bukoranye n'abajejwe intwaro ataco butagira kugirango ibiciro vyashinzwe vyubahirizwe ariko bikanka.

Amashirahamwe BRARUDI na BUCECO nayo ntahengeshanya gusaba ubushikiranganji bujejwe ubudandaji kuyadugiriza ibiciro kuva mu mwaka w2021, kubera ko ibiciro vy'ivyo bakoresha nabo nyene vyaduze, no kugirango baronke uburyo bwo kugwiza umwimbu kugirango abipfuza ivyo ayo mashirahamwe ahingura babironke.

- Kuvyerekeye ibinyobwa vya BRARUDI , iryo shirahamwe risaba ko hoduzwa amahera ari hagati y'amajana abiri (200) n'amajana atandatu (600) kw'icupa, bivanye n'ikinyobwa ic'arico.
- Kuvyerekeye isima ya BUCECO, igiciro c'umufuko cokwongerezwa amahera ibihumbi bitatu (3000) kuri irya sima isanzwe (32.5R).

Inama nshikirangaji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yashikirije ibi bikurikira:

- Ico ivyo bidandazwa vyose bihuriyeko ni uko umwimbu ari muke ugereranije n'abakeneye ivyo bidandazwa. Kubera ubushobozi bw'ayo

mahinguriro aho bugera, ntawuzi ko naho ibiciro vyoduzwa ivyo bidandazwa vyoca biboneka ;

- Kuvyerekeye ibinyobwa vya BRARUDI n'isima ya BUCECO hokwihwezwa neza ivyo bisaba mu kubihingura, kugirango bifatirweko mu gushinga ibiciro vyumvikana;
- Amashirahamwe BRARUDI na BUCECO yobanza kwerekana ingene agiye kwitunganya kugirango ivyo bahingura vyongerekane biheze biboneke kw'isoko imbere yo kudugirizwa ibiciro.
- Abanyamitahe babishoboye bokwemererwa kwinjiza isukari n'isima mu gihugu kugirango abayikeneye bose bayironke;
- Umugambi wo gusanura no kwagura SOSUMO wonyaruka kuja mu ngiro.
- Kuvyerekeye Ishirahamwe BRARUDI ryipfuza kurima amasaka, ubushikiranganji bujejwe amahinguriro, ubujejwe iterambere rusangi n'ubujejwe uburimyi n'ubworozi bwoja hamwe bukiga ingene vyokorwa.
- Abajejwe intwaro bokurikirana neza ibiciro kuko abadandaza barabiduza ariko ikori batanga rikaguma ari rya rindi ;
- Abipfuza kwubaka amahinguriro mashasha bokworoherezwa, kandi Ubushikiranganji bujejwe amahinguriro n'ishirahamwe ADB bakabikurikiranira hafi ntibaburagizwe.

## 9. Utuntu n'utundi

Inama nshikiranganji yarabonye ko naho Reta Mvyeyi Reta Nkozi iri ku kivi, hari abadashaka kuja ku murindi, mbere hakaba n'abafise ingendo yo kuyitobera kandi ari abakozi ba Reta.

Kuri mwen'abo badashaka kuja ku murongo canke badashaka guhinduka, Reta igiye kurondera amaraso mashasha basubirizwe.

Bigiriwe i Gitega,
igenekerezo rya 04 Myandagaro 2022

Umunyamabanga Mukuru
wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE